WPP Burundi/WAP Fontaine ISOKO Global Network Women Peacebuilders

ITOROROKANYWA RY'IVYEREKANA URUGERO UBURUNDI BUGEZEKO

MU GUSHIRA MU NGIRO INGINGO YA 1325 Y'INAMA MPUZAMAKUNGU

VYAHINDUWE MU KIRUNDI NA :

- Jeanne BITSURE
- Seconde NYANZOBE
- Séraphine NISABWE
- Julien BAREGUWERA
- Joséphine BANGURAMBONA

MUKAKARO 2010

IBIRIMWO
URUPAPURO

I.INTANGAMARARA
3

A. INGENE VYIFASHE MU BURUNDI
3

B. INGARUKA Z' INTAMBARA KU BAKENYEZI
4

C. ICO AMATEGEKO ABIVUGAKO
5

II. IVYAVUYE MW'ITOHOZWA N'UMWIHWEZO WAVYO
8

A. Umukenyezi mu ntwaro 8

B. Kuzitira, gukingira no guhasha amabi akorerwa abakenyezi
13

C. Guteza imbere uburyo abakenyezi babayeho
18

III. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA 22

IV. ISOKO RY'IVYANDITSWE
26

V. IVYONGEWEKO 28

I.INTANGAMARARA

A. INGENE VYIFASHE MU BURUNDI

Kahise k'Uburundi kuva ku ntwaro z'igikoroni haranzwe indyane zihagaze kuri poritike no ku moko hagati y'abahutu n'abatutsi. Ivyo vyatumye haba ubwicanyi butagira izina mu myaka 1965, 1972, 1988, 1993 n'imyaka yagiye ikurikira.

Intambara iheruka yatanguye igenekerezo rya 21 Gitugutu 1993 yamaze imyaka irenga cumi, iturutse kw'igandagurwa ry'Umukuru w'Igihugu wa mbere Melekiyori NDADAYE , yatorewe n'abanyagihu.

Muri iyo ntambara utwigoro tw'akarere n'amakungu twatumye haba ibiganiro hagati y'abanyeporitike vyashitse ku gupfundika amasezerano y'amahoro no gusubiza hamwe yashizweko igikumu kw'igenekerezo rya 28 Myandagaro 2000 i Arusha mu gihugu ca Tanzaniya.

Abakenyezi barakurikiraniye hafi ivyo biganiro vy'i Arusha mugabo ka burorerezi. Uko gukumirwa kw'abakenyezi b'abarundikazi imbere

y'amakungu kandi bari berekanye ishaka kuja nyezina mu biganiro vy'abanyapolitike i Arusha. Uko gukumirwa kwoba kuri mu vyatumye haba iyemezwa ry'Ingingo 1325 y'Ishirahamwe Mpuzamakungu y'umutekano.

Ayo masezerano amaze kwemezwa , intwaro mfata kibanza zarakwirikiranye gushika ku matora ya 2005, yashikanye ku ntwaro umurwi wahora urwana CNDD- FDD. Guhera aho Uburundi bwaciye bwinjira mu kiringo c'inyuma y'intambara, haca hatangura umugambi wo gutsimbataza amahoro n'umutekano.

Amakungu n'ibihugu bifasha Uburundi vyarashigikiye bimwe biboneka uyo mugambi wo gutsimbataza amahoro mu Burundi.

Umurwi wo gutsimbataza amahoro w'Ishirahamwe mpuzamakungu warashizweho kugirango ufashe ibihugu bivuye mu ntambara. Uburundi bwaratowe kugira ngo buronke imfashanyo kubera bwiyemeje guharanira amahoro no kunagura inzego z'igihugu.

Amatora yo 2010 yagumije ku butegetsi Umukuru w'Igihugu Petero NKURUNZIZA mu kiringo c'imyaka itanu.

Mugabo ayo matora ntiyemewe n'imigambwe cumi n'ibiri itavuga rumwe na Reta ihurikiye mu Runani Ruharanira Intwaro rusangi n'uko ibintu bihinduka ADC/ Ikibiri.

Guher a ico gihe haciye haduka amatati hagati y'umugambwe watsinze amatora n'imigambwe itavuga rumwe na Reta. Ayo matati ashobora kuvamwo intambara mu gihe Reta itoyatorera inyishu ibereye mu maguru masha.

B. INGARUKA Z'INTAMBARA KU BAKENYEZI

Intambara Uburundi bwaciyemwo zaratumye ingaruka zitandukanye zisinzikaza abakenyezi n'abigeme mu Burundi:

- ugufatwa ku nguvu n'ayandi mabi afatira ku gitsina;
- abapfakazi n'impfuvyi barongerekanye;
- ubukene butagira izina bwaribonekeje;
- abahungiye mu gihugu hagati bangana 1.200.000 n'abahungiye inyuma y'igihugu benshi;
- Ubutunzi bw'igihugu n'ubwo imiryango bwarasubiye inyuma;
- Iyongerekana z'ingwara z'abana, z'abakenyezi n'izifatiye ku kwibaruka , ku kiza ruhonya nganda SIDA n'ibindi;
- Guheba amashure no kuyacira hagufi ;
- Kwinjizwa ku nguvu mu mirwi igwana;
- Gukoreshwa ku nguvu, kwikorera ibigwanisho , inkwi, imfungurwa n'ibindi;
- Urudandazwa rw'abigeme n'ayandi mabi

  Ivyo vyatumye abakenyezi baja mu mashirahamwe kugirango baharanire amahoro.
- Baragize ibiganiro hagati y'abakenyezi basigaye mu gihugu n'abandi bari bahungiye mu bindi bihugu.
- Harabaye ibiteramo vyo kunywanisha abakenyezi b'indongozi n'abateshejwe izabo;
- Abakenyezi b'abarundikazi bakoresheje ubuhinga butandukanye mu kujijura abanyapolitike n'amakungu ko intererano y'abakenyezi ikenewe mu biganiro;
- Ivyo vyabashikanye mu kwezi kwa Ruhuhuma umwaka wa 2000 kuba abarorerezi ntayegayezwa mu biganiro vy'i ARUSHA.

- “Mu kwezi kwa Ndamukiza umwaka 2000, abakenyezi b’abarundikazi bararengeye amacakubiri y’amoko n’ay’intara mu guharanira inyungu za bose, zishimikiye ku ngingo z’i Arusha cane cane ko abakenyezi batokumirwa kandi bagaserukirwa ku bice birenga 40 % mu nzego zigiye gutwara i gihugu .”(1)
- Harabaye inama zo kumenyekanisha no gukwiragiza Ingingo 1325 na 1820 ziteguwe n’amashirahamwe y’abakenyezi; ibigo vyo gukwiragiza ubutumwa bujanye n’iyo ngingo vyarashizweho.(2)

A. ICO AMATEGEKO ABIVUGAKO

Ibwirizwa Nshingiro ryo ku wa 18 Ntwarante 2005, ryisunze iryo ku wa 13 Ntwarante 1992, na cane cane amasezerano y’amahoro y’I Arusha, ryarashizweko umukono n’abanyeporitike igenekerezo rya 28 Myandagaro 2000.

Ayo masezerano avuga ko “ Iterambere ry’umukenyezi no gufata kumwe abagabo n’abagore mu mateka n’amategeko ari kimwe mu mateka agenga kiremwa muntu. Ivyo ni nkenerwa mu kugwanya akarenganyo kandi ni uburyo bwo kwubaka igihugu ciza, kizira akarenganyo kandi giteye imbere. Itsimbatazwa ry’uburongozi bw’abakenyezi ni intumbero nyamukuru ishikana ku mutekano w’igihugu , w’abanyagihugu , w’ubutunzi , w’imico kama n’uwo ibidukikije ku banyagihugu bose”.(3)

Iyemezwa ry’Ibwirizwa Nshingiro ryo mu 1992 ryaKwirikiranye n’ishigwa mungiro ry’amategeko Mpuzamakungu yerekeye gukingira no guteza imbere agateka ka zina muntu.

Ayo mategeko aravuga ku vyerekeye guteza imbere no gukingira agateka k’abakenyezi. Ayo mategeko ni ishingiro rikomeye ryo

kubaka igihugu kitagira ikumira rifatiye ku gitsina. Ico ciyumviro cemejwe bimwe bigaragara n'ingingo ya cumi n'icenda y' Ibwirizwa Nshingiro ryerekana ko :

" Ivyo umuntu afitiye uburenganzira n'ivyo ategerezwa vyemejwe kandi bigategekanywa n'amategeko mpuzamakungu nk'amasezerano yerekeye uburenganzira ku muntu wese , amasezerano yerekeye agateka kazina muntu n'abanyagihugu muri Afrika , amasezerano yerekeye kurwanya amacakubiri ku bakenyezi n'amasezerano yerekeye agateka k'abana ari mw'Ibwirizwa Nshingiro ry'Uburundi " (5)

Ayo masezerano mpuzamakungu afise inguvu nk'Ibwirizwa Nshingiro iyo igihugu cayashizeko igikumu.

Ibwirizwa Nshingiro riraha uburenganzira Umukuru w'Igihugu bwo kuganira ku vyerekeye amategeko mpuzamakungu. Aranashirako igikumu kandi akemeza amasezerano mpuzamakungu ari naho haca haja itegeko riyemeza ku rwego rw'I gihugu ayo nayo ni nka:

- amasezerano y'amahora,
- amasezerano y'ubudandaji,
- amasezerano yerekeye amashirahamwe mpuzamakungu ,
- amasezerano yerekeye ubutunzi bw'igihugu ,
- amasezerano ahindura amabwirizwa, amasezerano yerekeye abantu.

Ayo yose ntashobora kwemezwa bidaciye mw'ibwirizwa. Ayo masezerano amaze kwemezwa aca ashigwa mu ngiro iyo ibindi bisabwa bimaze gukwira. Ivyo tubisanga mu ngingo ya 292 y'Ibwirizwa Nshingiro."

Twomenyesha ko ingingo iteye kubiri n'Ibwirizwa Nshingiro idashobora kwemerwa Ibwirizwa Nshingiro ridasubiwemwo. Iyo Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro yituwe n'Umukuru w'Igihugu, umukuru w'Inama Nshingamateka ,Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ,icakane c'abagize Inama Nshingamateka canke nkenguzamateka bemeje ko ingingo mpuzamakungu itajanye n'ibwirizwa nshingiro, iyemezwa ry'iyo ngingo riba inyuma y'ihinyanyurwa canke isubiramwo ry'Ibwirizwa Nshingiro."(7)

Uburundi bwaremeje amasezerano mpuzamakungu menshi yerekeye gukingira agateka ka zina muntu tutibagiye amasezerano yerekeye uburenganzira bw'abakenyezi mu guharanira poritike , amasezerano y'i GENEVE , itegeko ry'I ROMA ryerekeye Sentare mpuzamakungu mpanavyaha n'amasezerano yerekeye kurandurana n'imizi ico cose gikumira abakenyezi.(8)

Hisunzwe ingingo ya 1325 y'Inama Mpuzamakungu ishinzwe umutekano, harashizwe ko imikono ku masezerano n'amatangazo n'ibihugu vyo mu karere: Amasezerano y'Inama mpuzamakungu y'akarere k'ibiyaga binini n'Itangazo ry'i Goma.

Ku vyerekeye igihugu cacu , isubirwamwo ry'Itegeko Mpanavyaha ryarisunze ingingo 1325 na 1820 ku vyerekeye guhasha ivyaha bijanye no gushurashuza ku nguvu abakenyezi. Kandi Inama Nshingamateka yaremeje itegeko rigenga amatora ririmwo n'ingingo ziha abakenyezi ibibanza bingana vy'ijana 30 mu nzego zifata ingingo nkuko Ibwirizwa nshingiro ribitegekanya. Ikindi naco ni u burundi bufise integuro y'umugambi w'igihugu wo gushira mu ngiro ya ngingo 1325 .

II. UMWIHWEZO W'IVYAVUYE MW'ITOHOZA

A. UMUKENYEZI MU NTWARO

IGIPIMO CA 1:
Urugero rw'abarundikazi mu nzego zifata ingingo : ivy'ijana mu bashikiranganji, mu bayobozi bishikira, mu Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka, mu nzego zo mu gihugu hagati .

Twishimikije ingingo ya 147 yo mw'Ibwirizwa Nshingiro, urwego nshingamategeko rugizwe n'Inama Nshingamateka hamwe n'Inama Nkenguzamateka. Aho hose ibitigiri vy'abakenyezi nkuko biri mu ngingo za 164 na 180 z'iryo bwirizwa nshingiro nyene zemerera umurundikazi n'imiburiburi ivy'ijana 30.
Ikibariko ca 1 : Ingene abarundikazi bagiye barongerekana mu nzego kuva umwaka wa 2001 gushika mu 2010.

INAMA NSHINGAMATEKA					
Urwego	Umwaka	Bose hamwe	Abagabo	Abakenyezi	Ivy'ijana vy'abakenyezi
Inama Nshingamateka	2001	186	149	37	19,9
	2005	118	81	37	31,35
	2010	106	72	34	32
INAMA NKENGUZAMATEKA					
Inama Nkenguzamateka	2002	53	43	10	18,8
	2005	49	32	17	34,6
	2010	41	22	19	46,3

Biragaragara ko urwego Nshingamategeko rwagiye ruruugururira bukebuke imyango abakenyezi, na cane cane urwego Nkenguzamateka, muri aya matora aherutse yo mu mwaka wa 2010, imbere yuko hongerwamwo abahoze ari abakuru b'ibihugu hamwe n'abaserukira abatwa, ibitigiri vy'abagabo n'abagore vyarangana (ivy'ijana 50).

Ikibariko ca 2 : Urwego nshingwantwaro rwo mu mwaka wa 2010 (imbere y'amatora) :

AMABANGA	Ivy'ijana vy'abakenyezi	Ico umuntu yobivugako
Abashikiranganji	30	Ivy'ijana 30 abarundikazi bahabwa n'ibwirizwa nshingiro birubahirijwe mu nama nshikiranganji. Ariko mu zindi nzego Nshingwantwaro z'igihugu, aho iryo bwirizwa ataco ribivugako, uguserukirwa kw'umukenyezi ntibishemeye na gato.
Abayobozi bishikira	3,3	
Abaserukira Uburundi mu makungu	25	
Abayobozi bakuru	11,5	
Abayobozi	11,6	
Bulamatari	1,7	
Musitanteri		
Abarongoye ibanki nkuru y'igihugu	33,3	
Abayoboye amashirahamwe ya Reta	15,8	

IKIBARIKO CA 3: Urugero rw'abakenyezi mu mirwi itandukanye y'igihugu

Imirwi	Ivy'ijana vy'abakenyezi	Ico umuntu yobivugako

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe amatora (CENI)	40	- Muri iyo mirwi yose, umurwi w'igihugu ujejwe gucungera ivyerekeye kumenyesha amakuru niwo wonyene urongowe n'umukenyezi. -Naho mu murwi w'igihugu ujejwe amatora harimwo abakenyezi 2 kuri 5 bagize uwo murwi, ku ntara 17 nta mukenyezi n'umwe uwurongoye.
Umurwi w'igihugu ujejwe gutatura amatati y'amatongo n'ayandi matungo afatiye ku ntambara (CNTB)	21,7	
Umurwi w'igihugu ujejwe ivy'ubutunzi n'imibano	25	
Umurwi w'igihugu ujejwe gucungera ivyerekeye kumenyesha amakuru (C.N.C)	40	

IGIPIMO ca 2:

Urugero rw'abakenyezi mu mirwi y'ibiganiro vy'amahoro: nta murundikazi n'umwe vy'ukuri yari muri ivyo biganiro.

IGIPIMO ca 3:

Urugero rw'abakenyezi mu nzego z'amahoro, umutekano, ukwivuna abansi, ubutungane n'izindi.

Ikibariko ca 4 : Urwego rw'ubutungane

Amabanga	Ivy'ijana vy'abakenyezi	Ico umuntu yobivugako
Abarongoye Sentare Ntahinyuzwa	50	Sentare ntahinyuzwa na Sentare yubahiriza Ibwirizwa
Abarongoye Sentare yubahiriza ibwirizwa nshingiro	50	

Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika	0	Nshingiro nizo zikomeye gusumba nizo zikurira izindi nzego zo mubutungane butungane. Nta mukenyezi n'umwe arongoye sentare nkuru isubiramwo imanza
Umukuru wa Parake nkuru ijejwe gutuza ibiturire	0	
Umukuru wa Sentare nkuru ijejwe gutuza ibiturire	0	
Abakuru ba Sentare nkuru zisubiramwo imanza	0	
Amukuru ba Sentare nkuru zica imanza za Reta	50	
Abashikirizamanza baukuru bakukira sentare isubiramwo imanza	0	
Abakuru ba Sentare nkuru z'igihugu	11	
Abakuru ba Sentare y'ubudandaji	0	
Abakuru ba Sentare y'akazi	0	
Abashikirizamanza bakuru ba Repuburika mu ntara	0	
Abakuru ba Sentare y'intango	26,6	

Vyose hamwe	14,3	

Ikibariko ca 5 : Urugero rw'abakenyezi mu giporisi

Igisata	Ivy'ijana vy'abakenyezi	Ico umuntu yobivugako
Ibisata vy'ubuhinga	3,6	Nayo ivyo bitigiri ari bito cane, vyaragaragaye ko habaye akarusho inyuma y'ibiganiro n'abahoze mu mirwi irwana kuko abakenyezi benshi ariho binjiye.
Komisariya nkuru	0,8	
Komisariya ijejwe inyigisho	4,8	
Ibisata bidasanzwe	1,7	
Komisarariya z'intaza	2,5	
Igisata kijejwe kurungika abaja gukorera hanze y'igiporisi	0,7	
Vyose hamwe	2,4	

Urwego rw'igisirikare: Twisunze ibiharuro bitangwa n'urwego rwo kwivuna abansi, abakenyezi bari mu gisoda ntibarenga 128, muri abo 26 bonyene ni bo bari muntwazangabo kandi nta n'umwe arongoye urwego rufata ingingo.

IGIPIMO Ca 4: Urugero rw'abarundikazi bari mu nteko mpuzamakungu zo gucungera amahoro n'umunteko.

Uburundi bwatanguye kuja muvyerekeye gucungera amahoro n'umutekano mu rwego rw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU n'urwego rw'ubumwe bwa Afrika kuva 2005; kuva ico gihe,

abasoda n'abaporisi bararungikwa gufasha muri Somariya, Darefuru, Cade, Kotedivware na Hayiti.

Ikibariko ca 6 : Urugero rw'abakenyezi b'abaporisi n'abasirikare mu nteko zo guhagararira amahora n'umutekano mu mashirahamwe mpuzamakungu.

Igihugu barungitswe mwo	Ivy'ijana vy'abakenyezi	Ico umuntu yobivugako
Mu gisirikare		
Somaliya	1,05	- Ugushaka kwariho kwo kurungika abakenyezi gufasha muri izo nteko kuko ibitigiri botorwamwo ni bito cane. - Umupolisikazi 1 rudende niwe ari guserukira Uburundi mu makungu muri izo nzego.
Darifuru/Sudani	11,5	
Mu gipolisi		
Darfuru/Sudani	1,36	

IGIPIMO CA 5 : Urugero rw'abakenyezi baja mu mirwi isuburamwo Ibwirizwa Nshingiro be n'ayandi mategeko.

Nko mu nama nshingamateka, kuba hariyo abakenyezi benshi vyarafashije kugira habe ibihindutse mu bijanye n'uguteza imbere n'ugukingira agateka k'umukenyezi. Ivyo vyagaragaye mw'itegeko ritunganya amatora, aho ivy'ijana 30 vyemejwe ko vyoshigwa mu ngiro no kurwego rw'amakomine kandi vyarubahirijwe. Itegeko rishasha mpanavyaha, riza rihasha abafata abakenyezi ku nguvu mbere n'ayandi mabi nkayo afatiye ku gitsina.

IGIPIMO CA 6 : Urugero rw'amashirahamwe adaharanira ubutegetsi akorera ku ngingo za 1325 na 1820 z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU.

Amashirahamwe adaharanira ubutegetsi akorera ku ngingo za 1325 na 1820 mu bisanzwe menshi ni ay' abakenyezi.

B. KUZITIRA, GUKINGIRA NO GUHASHA AMABI AKORERWA ABAKENYEZI

IGIPIMO CA 7: Urugero rw'abakorewe amabi afatiye ku gitsina yatohojwe yashizwe ahabona, , yakuririkiranywe canke yahanywe.

Ikizwi ni uko gushika ubu ata cigwa kirakorwa cerekeye abakorewe ayo mabi ku rwego rw'igihugu cose . N'ibiharuro bike bihari ni ibitangwa n'amashirahamwe yishinze gufasha abafashwe ku nguvu. .

- Mu cegeranyo c'ivyaranguwe n'ishirahamwe APRODH mu mwaka wa 2006, biragaragara ko ivyaha vy'abasambanya nguvu vyonyene bifise ibice 75.2 y'amabi yakozwe (686 kuri 912 y'abituye iryo shirahamwe). Kenshi ivyo vyaha bikorerwa abakenyezi : hafi ivy'ijana 60 baba ari abana batarashikana imyaka 18 abandi bakaba ari abarenza iyo myaka[1]

IGICAPO CA 1: Urugero rwerekana abakenyezi bakorewe amabi

[1] APRODH, Raporo ya 2006



- Viol: gusambanywa ku nguvu

- Torture : gukubagurwa

- Violences physiqu: gukubitwa

- Violences psychologiques : gutuntuzwa

Muri ico cegerenyo biboneka ko mu bafata ku nguvu, abanyagihugu basanzwe baza ubwa mbere nkuko vyibonekeza kuri iki gicapo gikurikira

Igicapo ca 2 : Urugero rw'abafata ku nguvu

Abanyagihugu basanzwe	abatamenyekanye	abitwaje ibirwanisho	abasoda	abapolisi	abajejwe intwaro



Hariho n'ayandi mashirahamwe nka NTURENGAHO, ADDF, Ikigo SERUKA, Umuhari Iteka agerageza gufasha abakorewe ivyaha vyo gusambanywa ku nguvu. Ibiharuro bitangwa n'ayo mashirahamwe vyerekana yuko ivyo vyaha bibandanya ndetse vyiyongereye muri kino gihe co gutsimbataza amahoro.

Ng'uru urukurikirane rw'ibiharuro vy'abituye NTURENGAHO, ishirahamwe ryakira cane cane abana b'imiyabaga basambanijwe ku nguvu.

IKIBARIKO CA 16: urukurikirane rw'ibiharuro vy'abituye NTURENGAHO

Umwaka	Ibitigiri	**Ico umuntu yobivugako**
2004	263	- Ibitigiri vy'abakorerwa ivyaha vyo gusambanywa ku nguvu vyiyongera uko bukeye uko bwije.
2005	184	
2006	266	
2007	595	
2008	998	

- **Ingorane nyamukuru mu bijanye no gukinga hamwe no guhasha ivyo vyaha**:

- ✓ Igisata kijejwe gutororokanya ibiharuro vyerekeye ayo mabi kigiyeho vuba,
- ✓ Kudashira mu ngiro amategeko no kudashumbusha abakorewe iryo shano,
- ✓ Igiturire be n'ingorane zo kuronka ivyemezo,
- ✓ Gufata minenerwe bene ivyo vyaha kwibonekeza mu baporisi, abajejwe intwaro n'abajejwe ubutungane,
- ✓ kutamenya kw'abenegihugu mu bijanye n'ihindagurika ry'amategeko n'inzira yo kwitura ubutungane

IGIPIMO CA 8: **Igitigiri n'agaciro k'amategeko yerekeye ubudasa bw'ibitsina**.

Amategeko makuru makuru atanu niyo twofatirako:

- Itegeko rishasha mpanavyaha ryasubiwemwo rikaba ryashizweko n'Umukuru w'Igihugu ku wa 22 ndamukiza 2009 rirahindura vyinshi mu ntumbero yo gukingira abakenyezi n'abigeme. Iryo tegeko ryarongereje ibihano gushika ku mu nyororo wo guherayo ibihano bihabwa abashurashuje ku nguvu rigatako rigashinga ko ibihano bihabwa abakoze iryo shano bitagabanywa, bitagirirwa ikigongwe kandi bidahebwa (ingingo ya 559).
- Ibwirizwa nomero 1/28ryo ku wa 23 Munyonyo 2006 rigenga abakozi ba Reta mu ngingo yaryo ya 55, rishira ku ndwi cumi na zine (ryongeyeko indwi zibiri) akaruhuko gahabwa umukenyezi agiye kwibaruka hamwe n'amasaha abiri yo kwonsa ku munsi gushika ku mezi atandatu.
- Itegeko rigenga akazi rirakingira umukenyezi yibungenze ngo ntakurwe mu kazi ku karenganyo: "Mu gihe umukenyezi ari mu karuhuko ko kwibaruka, umukoresha ntashobora kumuhagarika mu kazi. Ntashobora kandi kumukura mu kazi imbere canke inyuma y'ihagarikwa mu kazi mfatakibanza yitwaje ko afise imbanyi canke yibarutse"
- Amategeko agenga intwazangabo, ibisongerezi n'abasoda batobato avuga ko iyinjiza mu gisoda ritegerezwa kubahiriza bidasanzwe

hisunzwe iserukirwa ry'intara amoko hamwe n'ibitsina mu bitigiri bikenewe.

- Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu nomero 100/136 ryo ku wa 16 Ruheshi 2006 ritunganya ukuvura ku buntu abana batarashikana imyaka itanu n'abakenyezi bagiye kwibaruka mu bitaro vya Reta n'ibikora nka vyo, ryarerekanye ingaruka nziza: biragaragara ko abibarukira kwa muganga biyongereye, abana n'abakenyezi bapfa mu gihe canke inyuma yo kwibaruka baragabanutse.

Igipimo ca 9: Ibijanye n'Umurwi ujejwe kumenyekanisha ukuri, kunywanisha abarundi hamwe n'ubutungane bubereye bw'inyuma y'intambara.

Uburundi ntiburashiraho umurwi w'ukuri no kurekuriranira. Reta yashize ico kibazo mu biganiro vy'abenegihugu kugira bagire ico bakivuzeko biciye mu murwi nyabutatu.Muu bawugize harimwo ivy'ijana 33, 3 vy'abakenyezi ariko icegeranyo cavuye muri ivyo biganiro ntikiratangazwa.

Ikibariko ca 17: Urugero n'ikibanza c'abakenyezi mu murwi warongoye ivyo biganiro

Abakozi	**Ivy'ijana vy'abakenyezi**	**Ico umuntu yobivugako**
Umurwi nyabutatu	33,3	Uburundi ntiburashiraho umurwi w'ukuri no kunywanisha abarundi. Reta yashize ico kibazo mu biganiro vy'abenegihugu kugira bagire ico bakivuzeko .Icegeranyo c'ivyavuye muri ivyo biganiro ntikiremezwa.
Ibisongerezi vy'umurwi	45,4	
Abatumiriwe mu biganiro	49,7	

IGIPIMO CA 10: **Ivyerekeye gushira inyigisho z'amahoro n'iterambere ridakumira mu mashure.**

Inyigisho z'amahoro n'iterambere ridakumira mu mashure ntizitangwa mu rutonde rw'ivyigwa ariko ibikorwa bijanye n'ivyo bitangwa mu mwanya wo kuruhuka. Ibijanye no gukunda igihugu be n'agateka ka zina muntu biramaze kuja mu rutonde rw'ivyigwa bwite. Ico twomenyesha kandi ni uko urutonde rw'ivyigwa ruriko rurasubirwamwo.

IGIPIMO CA 11: **Urugero rw'abakenyezi bahawe imfashanyo mu mugambi wo gutatura amatati no gusanura igihugu**.

U gutanga impamba canke imfashanyo bikorwa na HCR, n'ubushikiranganji bwo gufatana mu nda no kugarukira abateshejwe izabo, harisungwa vyankenerwa vyiyongeyeko, ku bakenyezi no ku bigeme. Izo mfashanyo zitangwa hisunzwe uburyo buhabwa ubushikiranganji nabwo buri munsi y' ic'ijana 1 c'amahera Reta ikoresha ku mwaka

C. UGUTEZA IMBERE UBURYO ABAKENYEZI BABAYEHO

Igipimo ca 12: Ibibazo bijanye n'iterambere ridakumira kimwekimwe ukwaco mu Masezerano y'Amahoro

Ibiganiro vy'Amahoro ntaco vyavuze kandi nta n'ico vyategekanije ku bibazo bijanye n'iterambere ridakumira.

Igipimo ca 13: Ibitigiri n'urugero rw'inyigisho zigenewe abaporisi n'intwaramiheto imbere y'uko baja gufasha kubungabunga umutekano mu bindi bihugu n'iyo bagarutse mu Burundi, zerekeye ingingo 1325 na 1820 y'Inama Mpuzamakungu ijejwe amahoro n'umutekano n'izindi ngingo mpuzamakungu zijanye n'agateka ka zina muntu n'ugufata mu mugongo imbabare.

Imbere y'uko bagenda gufasha kubungabunga amahoro, barakarihirizwa ubwenge mu bijanye n'amategeko mpuzamakungu yerekeye gufasha imbabare, agateka ka zina muntu n'Ingingo ngenderwako y'Inama Mpuzamakungu yerekeye inyifato. Ingingo1325 na 1820 ntizishimikirwako na gato.

Igipimo ca 14 : **Uburyo bugenewe kandi bwatanzwe ku mashirahamwe ataho yegamiye mu vya poritike ngo afate mu mugongo imigambi y'abakenyezi ijanye no gukomeza amahoro n'umutekano*:***

- Umukenyezi ni we nkingi y'umwimbu mu Burundi. Ivy'ijana 55,2 vy'abarimyi ni abakenyezi;

- Mu mugambi wo kugarukana amahoro n'umutekano, amashirahamwe 627 yo mu ntara z'uburengero yarafashwe mu mugongo mu vyerekeye kwisunununura. Ariko rero yabaye imfashanyo nkeyi cane uravye ivyari bikenewe;

- Kuva mu mwaka wa 2005 gushika kw'igenekerezo rya 30 Ruheshi umwaka wa 2009, abakenyezi 72 891 (baserukiye imiryango yabo) ku bagabo 135 424, barafashwe mu mugongo mu mugambi wa PRASAB ujejwe gufata mu mugongo abanyagihugu mu vyerekeye gutezimbere uburimyi n'ubworozi.

- Abakenyezi baragize uruhara mw'ishirwaho ry'umugambi wo gukomeza no kubungabunga umutekano;

- Mu mirwi ndongorabikorwa y'imigambi yerekeye kugarukana amahoro n'umutekano be no kuyabungabunga,abakenyezi bari baserukiwe kuvy'ijana 30;
- Mu bisata vyo gutunganya imigambi bangana ivy'ijana 70. Uburyo bwagenewe iyo migambi bungana imiriyoni 3 z'amafaranga y'Abanyamerika;

- Harashizweho komite ndongozi ijejwe kumenyekanisha Ingingo 1325, gushiraho integuro y'ibikorwa, gusuzuma be no gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'iyo ngingo.

Igipimo ca 15: **Uburyo bugenewe kandi bwakoreshejwe n'ibisata vya Reta bijejwe gufata mu mugongo imigambi y'abakenyezi yerekeye amahoro n'umutekano.**

Uburyo Reta y'Uburundi yahaye Ubushikirangaji bujejwe agateka kazina muntu n'Iterambere ridakumira mu mwaka 2009 mu guhasha amabi afatiye ku gitsina bungana ibihumbi 70 vy'amahera y'Abanyamerika.

Igipimo ca 16: *Ivy'ijana vy'uguserukirwa kw'abakenyezi mu vy'intwaro be no gufata ingingo mu gisata co kumenyesha amakuru.*

- *Ishirahamwe DUSHIREHAMWE ryaragize intambwe ngirakamaro mu gushinga i Radiyo ikorera mu gihugu hagati (mu ntara ya GITEGA, mu Giheta) « IJWI RY'UMUKENYEZI ». Iyo Radiyo niyo yonyene mu ma Radiyo akorera mu Burundi, irongowe n'umukenyezi. Ariko , ico gisata co kumenyesha amakuru kirakira abakenyezi batari bake haba mu bamenyeshamakuru canke mu bahinga.*

Ibibariko bikurikira birerekana urugero rw'abakenyezi muri ivyo bisata vyo kumenyekanisha amakuru:

1. **IGISATA CA RETA**

ICO BAKORA	***IGITIGIRI CA BOSE***	**IGITIGIRI C'ABAKENYEZI**	**IVY'IJANA VY'ABAKENYEZI**
Abahinga	87	19	21
Abamenyeshamakuru	221	71	32,1
Abarongoye ibisata vyo kwandika amakuru	8	3	37,5
Abayobozi	8	2	25
Abagize urwego nshingwabikorwa	17	1	5,8

2. IGISATA C'ABIGENGA

ICO BAKORA		***IGITIGIRI CA BOSE HAMWE***	***IGITIGIRI C'ABAKENYEZI***	***IVY'IJANA VY''ABAKENYEZI***
Abahinga		*24*	*5*	*5,8*
Abamenyeshamakuru		*112*	*34*	*20,8*
Abarongoye ibisata vyo kwandika amakuru		*9*	*4*	*44,4*
Abayobozi		*11*	*0*	*0*
Abagize urwego nshingwantwaro		*24*	*4*	*23,5*

3. AMARADIYO N'IMBONESHAKURE

ICO BAKORA		*IGITIGIRI CA BOSE HAMWE*	*IGITIGIRI C'ABAKENYEZI*	*IVY'IJANA VY'ABAKENYEZI*
Abahinga		92	15	16,3
Abamenyeshamakuru		269	88	32,7
Abarongoye ibisata vyo kwandika amakuru		12	5	16,6
Abayobozi		11	1	9,09
Abagize urwego nshingwabikorwa		24	4	16,6

4. IBIMENYESHAMAKURU VYANDITSWE

ICO BAKORA	*IGITIGIRI C'ABAGORE N'ABAGABO*	*IGITIGIRI C'ABAGORE*	*IVY'IJANA VY'ABAGORE*
Abahinga	19	8	42,1%
Abamenyeshamakuru	70	19	27,1%
Abarongoye ibisata vyo kwandika amakuru	5	2	40%
Abayobozi	11	1	9,09%

Abagize urwego nshingwantwaro	10	1	10%

Ivyo bitigiri birerekana neza ko ubutegetsi mu gisata co kumenyesha amakuru bwiganziwe koko n'abagabo, haba mu bimenyeshamakuru vya Reta canke ivy' abikorera ivyabo, haba ibisomwa canke amaradiyo n' imboneshakure.

III. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA

Abakenyezi barasinzikajwe n'intambara mu buryo bwinshi :

- barakorewe amabi afatiye ku gitsina ;
- baragiye ku rugamba canke mu mirwi yitwaje ibirwanisho ku gushaka kwabo canke ku nguvu ;
- baragize uruhara ntangere mu kugwanira amahoro no gusanura ivyasambutse.
- Baragize ubukene butagira izina

Intambara yabaye mu Burundi yasinzikaje cane cane abanyagihugu baato bato.

Abakenyezi bararonderwa cane n'abitwaje ibigwanisho n'aho ibitigiri bitarashirwa ahabona.

Abakenyezi n'abigeme benshi babaye ibikoresho vy'abagwanyi mu kubatekera ibifungurwa, mukubagira abaja n'ibikoresho m'ubusambanyi.

Mugabo kandi abakenyezi baritanze bimwe biboneka mu bihe vyose vy'intambara na cane cane mu gufasha:

- mu vyerekeye umugambi w'amahoro,

- mu gusanura ivyasambutse,

-mu gusubiza mu buzima busanzwe abagwanyi,

- mu gusubiza ibigwanisho ,

- mu gusubiramwo ibisata vy'umutekano no kwivuna abansi,

- ivyerekeye poritike n'iterambere.

Ivyerekeye gufata kumwe abagabo n'abakenyezi mu mateka n'amategeko, ugutsimbataza amashirahamwe y'abakenyezi be n'uruhara rw'umukenyezi mu y'inzego zose zifata ingingo ni intumbero n'uburyo bwo gukinga, gutorera inyishu irama amatati no gushira imbere ingendo y'amahoro.

Uburundi bwarateguye imigambi ya Reta mu vyerekeye igisata co guhimiriza ugufata kumwe abagabo n'abakenyezi imbere y'amategeko (Integuro y'ibikorwa yabereye i Beyijingi, Poritike y'igihugu yerekeye iterambere ridakumira, integuro y'igihugu yerekeye ishigwa mu ngiro ry'Ingingo ya1325, Umugambi w'igihugu werekeye kugwanya amabi afatiye ku gitsina). Ariko, integuro yiyo migambi ntaco bisa bisana n'ishirwa mu ngiro ryayo, n'ico gituma hakwiye gukorwa ibi bikurikira:

<u>Kuri Reta y'Uburundi, ku mashirahamwe ataho yegamiye mu vya poRitike no ku bandi bose baharanira inyungu z'igihugu</u>:

1. Gutsimbataza gufashanya hagati y'Ubushikiranganji n'izindi nzego zijejwe gutunganya ibibazo vy'abakenyezi n'amatati afatiye ku ntambara, kugira ngo habe ishirwa imbere uburyo burashe bwo gushira mu ngiro ingingo 1325 mu vyerekeye poritike no mu ngiro;
2. Kwemeza no gutanga uburyo bwo gushira mu ngiro imigambi nkoramutima;

3. Ugufashanya hagati y'amashirahamwe ataho yegamiye mu vya poritike bitegerezwa gutegurwa neza cane, na cane cane mu mashirahamwe aharanira agateka k' abakenyezi;

4. Reta y'Uburundi isabwe:

   Kugwanya ukudahanwa kw'inkozi z'amabi akorwa mu ntambara, n'amabi y'agahomerabunwa, tutibagiye inzego uko zigenda zirutana, zakoresheje umukenyezi nk'ikigwanisho co mu ntambara, niuko hokwisungwa amategeko mu gucira imanza izo nkozi z'ibibi, kuko ari navyo nkenerwa mu gukinga amabi.

5. Birakenewe kumenyesha noguhimiriza abategetsi, abanyagihugu n'abamenyesha makuru ivyerekeye amahoro, uburenganzira ngenderwako bw'abakenyezi hishimikijwe Ingingo ya 1325 yo muri Gitugutu umwaka wa 2000, hamwe n'Ingingo nshasha ya 1820 ivuga ukwitwaza ifatwa ku nguvu ry'abakenyezi n'abigeme nk'uburyo bwo kurwana; na cane cane itegeko rishasha mpanavyaha ryo mu Burundi ryatowe igenekerezo rya 22 Ndamukiza 2010.

6. Inyigisho z'intango n'izo gukarihiriza ubwenge abarongozi n'abakozi ku nzego zose z'igihugu be no mu mashirahamwe ataho yegamiye muri poritike, ni zo zotuma gutahura gusumba ivyerekeye iterambere ridakumira.

7. Reta y'Uburundi itegerezwa kworohereza gushikira inzego z'ubucamanza abo bose bashikiwe n'ivyago vyo gushurashuzwa ku nguvu;

8. Ibibazo nkoramutima vya kazoza k'abanyagihugu nk'ivyerekeye "uburenganzira bwo kugira itongo"be n'isano hagati y'igwirirana ry'abantu n'amatati afatiye ku ngwano,

vyotegerejwe gukorwa ko amatohoza ashimikiye kw'iterambere ridakumira;

9. Reta y'Uburundi itegerezwa gushiraho ingene hotezwa imbere hakongera hagakingirwa agateka ka zina muntu nko uko bitegekanywa n'Ibwirizwa Nshingiro ry'Uburundi be n'itegekanywa ry'ubutungane bubereye ibihugu bivuye mu ntambara bitegekanijwe n'amasezerano y'amahoro y'i Arusha!
10. Isuzuma ku mwaka ku mwaka ry'ishirwa mu ngiro ry'Ingingo ya 1325 rirakenewe;
11. Guha agaciro amategeko y'igihugu ku vyerekeye iterambere ridakumira na cane cane Itegeko rigenga Abantu n'imiryango, Itegeko Mpanavyaha, ...
12. Gushiraho mu maguru masha Itegeko ryo gutora

KU RWEGO MPUZAMAKUNGU NA KOMITE IJEJWE UMUTEKANO Y'URWO RWEGO

- Kwongereza uburyo mu gushiraho ikigega co gufasha Uburundi mu kuzamura ubutunzi bw'abanyagihugu inyuma y'intambara;
- Kutanga uburyo bwo gushira mu ngiro integuro y'imigambi y'igihugu ku vyerekeye ingingo za 1325 na 1820;
- Ku nama ijejwe umutekano y'urwego mpuzamakungu, gukurikirana ishirwa mu ngiro z'izo ngingo kuri abo bose

babijejwe, mu gutegekanya ko ivyegeranyo vyotangwa buri gihe kandi bakagira ico babivuzeko kibereye;

- Gukurikirana neza ko ibihugu vyose bivuye mu ntambara vyorohereza ishirwa mu ngiro ry'ubutungane bubereye kugirango batuze ukudahana ivyaha.

KU MASHIRAHAMWE YO MU BIHUGU HAMWE NA MPUZAMAKUNGU

- Gushiraho ibisata mu bihugu, mu turere no mu makungu vyoyobora bikanakurikirana ishirwa mu ngiro ry'integuro y'imigambi y'igihugu kuvyerekeye Ingingo za 1325 na 1820;
- Gushiraho no gukomeza urunani rw'abagenzi n'intumwa z'Ingingo 1325 na 1820;
- Urunani Mpuzamakungu rw'abakenyezi baharanira amahoro (GNWP) rutegerejwe kwunganira mu gushira mu ngiro bimwe biboneka izo ngingo ziza zimaze gutanguzwa mu bihugu vy'ibiyaga binini, na cane cane bishobotse hagashigwaho icicaro muri Afrika kijejwe kurongora ivyo bikorwa muri io gice c'isi.

IV. ISOKO RY'IVYANDITSWE

- INZANDIKO

1. Mw'Ibwirizwa Nshingiro ry'UBurundi, ryo mu , 2005
2. Itegeko bwirizwa N°1/ 037 ryo kw' I genekerezo rya 07/7/1993 ryerekeye isubirwamwo ry'ingingo zigenga akazi mu Burundi, Bujumbura , 1993

3. Ubushikiranganji bw'imibano no guteza imbere umukenyezi, poritike y'igihugu iraba iterambere ridakumira, Bujumbura , 2003

4. Icigwa ku rwego rw'igihugu ku vyerekeye Ingingo ya 1325 y'Urwego Mpuzamakungu rujejwe umutekano: Aho iyo ngingo igeze mugushigwa mu ngiro, aho ingorane ziri n'ingene zotoregwa umuti, Ntwarante 2009

5. Itangazo ry'i Gitega mu ruganda rwo kumenyesha abanyagihugu Ingingo 1325 na 1820 n'ingene zitegekanywa gushirwa mu ngiro mu Burundi, biteguwe na WPP/Burundi babifashijwemwo na GNWP, Ruheshi 2010

6. Repuburika y'Uburundi, Amasezerano yerekeye amahoro no gusubiza hamwe, Arusha, 2000

7. Repuburika y'UBurundi, Itegeko N° 1/016 rigenga amatora, Bujumbura, 2005

8. Repuburika y'UBurundi, Itegeko N°1/22 ryo ku wa 18 NYAKANGA umwaka 2009 rigenga amatora, Bujumbura, 2009

9. Ishirahamwe Dushirehamwe, Icigwa cerekeye ishigwa mu ngiro ry'Ingingo ya 1325 mu Burundi, Bujumbura, 2008

10. APRODH, Icegeranyo c'umwaka wa 2008, Bujumbura , Burundi

11. Ishirahamwe ADDF, Icegeranyo c'umwaka wa 2008, Bujumbura, Burundi

12. Ishirahamwe Nturengaho, Icegeranyo c'umwaka wa 2008, Bujumbura , Burundi

13. Urwego Mpuzamakungu, Ingingo ya 1325 (2000) y'Inama Mpuzamakungu ijejwe umutekano, New York, 2000

- AHO TWABAJIJE:

1. Ibiro vy'Umukuru w'igihugu n'ivyivyegera vyiwe
2. Ubushikiranganji bw'agateka ka zina muntu n'Iterambere ridakumira
3. Ubushikiranganji bw'ubutungane no gushingura ibimangu vy'Igihugu
4. Ubushikiranganji bw'uburimyi n'ubworozi
5. Ubushikiranganji bw'imigambi ya Reta
6. Ubushikiranganji bw'ubutunzi bw'ikigega ca Reta
7. Ubushikiranganji bw'abakozi, akazi no gutegekaniriza kazoza abakozi
8. Ubushikiranganji bwo kwivuna abansi no gusubiza hamwe abahoze k'urugamba
9. Ubushikiranganji bw'umutekano
10. Ubushikiranganji bwo gutumatumanako amakuru hamwe n'imigenderanire hagati y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka
11. Ubushikiranganji bwo gushigikirana no gutahukana impunzi
12. Ubushikiranganji bw'amagara y'abantu
13. Umugwi w'igihugu ujejwe gutatura amatati y' amatongo n'ayandi matungo afatiye ku ntambara

14. Umugwi w'inyabutatu ushinzwe kuraba ivy'ubutungane bubereye ibihugu bivuye mu ntambara

15. Umugwi ujejwe kwaka ibigwanisho abatabifitiye ububasha hamwe no gusubiza mu buzima busanzwe abahoze ku rugamba

16. Ishirahamwe Dushirehamwe

17. Urunani rw'amashirahamwe y'abakenyezi CAFOB

18. Ikigo c'abakenyezi bashigikira amahoro

19. Ishirahamwe Fontaine ISOKO

20. Ishirahamwe CDP

21. Ishirahamwe Mpuzamakungu ryerekeye abakenyezi / UNIFEM

22. Ishirahamwe Mpuzamakungu riraba ubuhinga , inyigisho n'imico kama/ UNESCO

V. IVYIYONGERAKO

1. IFISHE Y'IBIBAZO

- Inomero y'itohoza:

- Igenekerezo, ukwezi n'umwaka:

- Aho itohoza ryabereye:

- Igitsina c'uwishuye:

- Imyaka amaze:

- Imisi amaze mu kazi:

- Akazi afise:

MU NZEGO ZIFATA INGINGO,

Ibiro vy'Umukuru w'igihugu, ubushikiranganji, inzego Nshingamateka na nkenguzamateka, imigwi ya Reta:

Ubuzi bwari buhasanzwe:

Ubuyobozi bwishikira:

bose hamwe:

- Igitigiri c'abakenyezi:

- Igitigiri c'abagabo:

- Ivy'ijana vy'abakenyezi:

-Ubuyobozi bukuru:

- Bose hamwe:

- Igitigiri c'abakenyezi:

- Igitigiri c'abagabo:

Ivy'ijana vy'abakenyezi:

- Ibisata vy'ubuyobozi:

Bose hamwe:

Igitigiri c'abakenyezi:

Igitigiri c'abagabo:

Ivy'ijana vy'abakenyezi:

-Ibindi:

Ibikorwa vyo kurondera amahoro no kuyabungabunga: Ukwivuna abansi no gucungera umutekano

Igitigiri c'inteko zimaze kurungikwa mu makungu

Igitigiri c'abakenyezi:

Igitigiri c'abagabo:

bose hamwe:

Hoba harategekanijwe inyigisho imbere yuko izo nteko zigenda?

Mu bisata ibihe?

Amasezerano y'amahoro (FDD/CNDD-FNL) kurabira ku vyabereye i Beijing + 15 canke izindi nzandiko

AMASEZERANO	ABAGABO	ABAKENYEZI	BOSE HAMWE	IVY'IJANA
Amasezerano y'i Arusha				
Reta na CNDD/FDD				
Reta na FNL				

Ni izihe ntambamyi zabujije abakenyezi kuja muri ivyo biganiro ?

Ni izihe ngingo zofatwa kugira izo ntambamyi zihave?

UKWIVUNA ABANSI, UGUCUNGERA UMUTEKANO N'UBUTUNGANE

Igitigiri ca bose muri:

Ukwivuna abansi:

Ugucungera umutekano :

Inzego c'ubutungane :

IBITIGIRI VY'INTWAZANGABO ZO HEJURU :

Ukwivuna abansi:

Ugucungera umutekano :

IGITIGIRI C'ABAKENYEZI MU NTWAZANGABO ZO HEJURU :

Ukwivuna abansi :

Ugucungera umutekano :

Inzego zifata ingingo :

Ukwivuna abansi :

Ugucungera umutekano :

IGIITIGIRI CA BOSE HAMWE MU BISATA VY'UBUTUNGANE (abakozi)

Abagabo

Abakenyezi

IBITIGIRI MU NZEGO ZIFATA INGINGO (ama Sentare, Inama nkuru y'igihugu y'abacamanza……) :

Ibisata vy'akazi	Abagabo / Abakenyezi	Abagabo	Abakenyezi	Ivyijana
Inama nkuru y'igihugu y'abacamanza				

Sentare Nkuru y'Igihugu				
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro				
Parake Nkuru y'Igihugu				
Sentare Nkuru isubiramwo imanza (Bujumbura, Gitega na Ngozi)				
Sentare Nkuru ica imanza za Reta (Bujumbura na Gitega)				
Sentare Nkuru ikukira Sentare isubiramwo imanza (Bujumbura, Gitega na Ngozi)				
Sentare ijejwe gutuza igiturire				
Sentare Nkuru ijejwe gutuza igiturire				
Sentare y'akazi (Bujumbura n'i Gitega)				
Sentare y'ubudandaji				
Sentare Nkuru z 'igihugu mu ntara				
Parake Nkuru ya				

Repuburika mu ntara				
Urwego rw'igihugu rwihweza amategeko				
Ivyerekeye imanza z'amatati				
Ubuyobozi bukuru bw'amabohero				
Ikigo kijejwe inyigisho n'ubushakashatsi mu vyerekeye ubutungane				
Ibiro bijejwe kwemeza burundu amatongo				
Sentare z'intango				
BOSE HAMWE				

Ni iyihe inzira irashe yo kwinjiza abakenyezi muri ivyo bisata ?

Ni izihe ngorane zifatiye kuri iryo yinjizwa ?

IGITIGIRI C'AMASHIRAHAMWE ATEGAMIYE RETA

Igitigiri c'amashirahamwe akora ku ngigo ya 1325 :

Igitigiri c'amashirahamwe akora ku ngingo ya 1820 :

IGITIGIRI C'ABAKOZI BO MU BIMENYESHAMAKURU

- IVYIGENGA :

Abagabo:

Abakenyezi:

Abakenyezi b'idongozi mu bisata vy'akazi:

- IVYA RETA:

Abagabo:

Abakenyezi:

Abakenyezi b'indogozi mu bisata vy'akazi:

- IBINYAKURU

Abagabo:

Abakenyezi:

Abakenyezi b'indogozi mu bisata vy'akazi : **UKUZITIRA, UGUKINGA N'UGUHASHA**

Inzego canke amashirahamwe :

Ibitigiri vy'abafashwe ku nguvu vyabonetse?

Ni ayahe mabi yamenkanye mu nywaka icumi iheze ?

Igitigiri c'imanza zaciwe zijanye n'amabi yo gushurashuza ku nguvu ?

Igitigiri c'imanza zaciwe zigashigwa mu ngiro :

Abahohotewe boba bararonse indishi y'akababaro? Imeze gute?

Amategeko afatiye kuvya nkenerwa hisunzwe igitsina.

Ico umuntu yoshima canke akanegura ayo mategeko.

Ubutugane bubereye ibihugu bivuye mu ntambara

Komiti nya butatu igize umugwi ujejwe ubutungane bubereye ibihugu bivuye mu ntambara:

- Abagabo:

- Abakenyezi:

Kwitaho ivyerekeye igitsina mu migwi y'abafasha bakorera mu gihugu hagati mu mugwi nyabutatu bijanye n'ibiganiro n'abanyagihugu ku vyerekeye ubutungane bubereye ibihugu bivuye mu ntambara:

- Abakenyezi:

- Abagabo:

Ivyo bisunga mugutora abitaba ibiganiro:

Igitigiri c'abitavye ibigairo:

- Abakenyezi:

- Abagabo:

Iringanizwa rishasha ry'inzego z'ubutungane, z'igiporisi na iz'igisoda.

Ni iyihe inzira irashe yo kwinjiza abakenyezi muri ivyo bisata ?

Ni izihe ngorane zifatiye kuri iryo yinjizwa ?

UGUSUBIZA MU BUZIMA BUSANZWE (CNDRR)

Igitigiri c'abasubijwe mu buzima busanzwe

- Agabo:

- Abakenyezi :

Igitigiri c'abasubijwe mu buzima busanzwe batekerewe na CNDDR :

- Agabo:

- Abakenyezi :

Igitigiri c'abasubijwe mu buzima busanzwe bahawe imfashayo y'amafaranga ku vy 'umugambi wo kwiyungunganya:

- Abagabo:
- Abakenyezi :

INYIGISHO ZEREKEYE AMAHORO N' ITERAMBERE RIDAKUMIRA

Hoba hari integuro z'inyigisho zerekeye amahoro?

Hoba hari integuro z'inyigisho zerekeye iterambere ridakumira?

Ishirwa mu ngiro ry'iyo poriitike ryoba rigeze hehe?

Ibitegekanijwe muri iyo poritike vyoba biri mu nteguro z'inyigisho z'amashure canke mu bindi bikorwa bikorerwa kw'ishure ?

Gira ico ubivuzeko .

III. ITERAMBERE RIDAKUMIRA

Umwihwezo w'amasezerano y'amahoro n'integuro y'umugambi wo gutsimbataza amahoro (Igipimo 12)

Integuro y'umugambi mu kiringo c'imbere n'inyuma yo kurungika inteko gufasha mu gucungera amahoro :

Hoba hari inyigisho zitegekanijwe kuri bo mu kiringo c'imbere n'inyuma yo kurungika inteko gufasha mu gucungera amahoro :

Izo nyigisho zateguwe zerekeye ivyigwa ibihe ?

Imfashanyo Ishirahamwe Mpuzamakungu riraba iterambere PNUD n'abandi bagiraneza baronsa amashirahamwe ategemiye Reta :

Amafaranga muronsa amashirahamwe ategemiye Reta aharanira agateka k'abakenyezi, amahoro n'umutekano mu kuyafata mu mugongo yoba agera kuri agahe ?

Ni iyiye migambi mwafashijemwo ?

Reta yoyo ironka imfashanyo y'angahe ?

AMATEGEKO MPUZAMAKUNGU YEREKEYE AGATEKA KA ZINA MUNTU (Gushika Mukakaro 2007)

Amategeko Mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu	**Umwaka vyumvikanyweko**	**Ingene vyifashe**
Amasezerano Mpuzamakungu yerekeye amateka k' ubutunzi, imibano n'akaranga, 1966	Nzero,1976	Vyaremejwe
Amasezerano Mpuzamakungu yerekeye amateka ku ivyo itwaro, 1966	23 Ntwarante 1976.	Vyaremejwe
Amasezerano Mpuzamakungu yerekeye kwiyamiriza ikumirwa rifatiye ku rukoba, 1965	4 Ntwarante 1969.	Vyaremejwe
Amasezerano Mpuzamakungu yerekeye kwiyamiriza ico cose coza gikumira abakenyezi,1979	3 Nyakanga 1991.	Vyaremejwe
Amasezerano Mpuzamakungu yerekeye amateka yo kurinda amabi yose afatiye ku guhohotera, gufatwa nabi n'ayandi mabi nkayo no guhana bireze urugero, 1984	26 Ruhenshi 1987	Vyaremejwe
Amasezerano Mpuzamakungu yerekeye agateka	2 Nyakanga 1990.	Vyaremejwe

k'abana, 1989		
Amasezerano Mpuzamakungu yerekeye kukinga no guhasha ihonya bwoko	12 Nzero 1951.	Vyaremejwe
Amasezerano Mpuzamakungu yerekeye impunzi	22 Ndamukiza 1954	Vyaremejwe
Amasezerano Mpuzamakungu yerekeye gukingira abakozi n'imiryango yabo bagiye kurondera akazi inyuma y'ibihugu vyabo,1990	1 Mukakaro 2003	Ntibiremejwe
Amasezerano Mpuzamakungu yerekeye agateka k'abakenyezi mu ntwaro,1952		Ntibiremezwa